ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU « ITEKA »


Uwo uri wese ubahirizwa

# ICEGERANYO C'INDWI "Iteka n'Ijambo"

## N° 488 kuva kuwa 06-12 Gitugutu 2025

*Ryemejwe n'itegeko shikiranganji inomero 530/0273 ryo kuwa 10 Munyonyo 1994 risubiramwo itegeko nomero 550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma 1991*

***ICEGERANYOC'INDWI « ITEKA N'IJAMBO» n°495 c'ishirshamwe ryo mu Burundi riharanira agateka ka zina muntu «ITEKA»***






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 12 Gitugutu 2025, abantu bashika 835 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, n'imiburiburi 85 barasubiriye kuboneka abandi 752 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'ishirahamwe mpuzamakungu ukorera ku babuzwe irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi 252[1] babuzwe irengero.***

[1] https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54

**Ishirahamwe ITEKA :**

- ***Ni umunywanyi w' ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu, ni umunywani akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),***
- ***rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.***
- ***Umuhari Iteka ugizwe n'Inani mpuzamashirahamwe 17 ku Ntara hamwe 'ibisata 32***

## *IMPFUNYAPFUNYO*

***CDS*** : *Ikigo c'ubuvuzi*

***CNDD-FDD*** : *Inama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-Urunani rukingira intwaro rusangi*

***ECOFO*** : *Ishure shingiro*

***FOMI*** : *Ihinguriro ry'ifumbire*

***OPJ*** : *Inyamiramabi*

***SNR*** : *Igendereza ry'igihugu*

***SOSUMO*** : *Ihinguriro ry'isukari mu kumoso*

***TGI*** : *Sentare nkuru*

***UPRONA*** : *Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu*

***VBG*** : *Amabi afatiye ku gitsina*

***VSBG*** : *Amabi yo gufata ku nguvu*

**Urutonde rw'ibirimwo** **Urupapuro**


*0. INTANGAMARARA.............................................................................1*

*I.UMWIHWEZO.......................................................................................1*

*I.1.UMWIHWEZO WA POLITIKE..............................................................1*

*I.2.UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE.........................................................2*

*I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO..............................................................2*

*II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE...........................4*

*II.1.UBURENGANZIRA BWO KUBAHO....................................................4*

*II.1.1. Abantu bishwe kubera ukwihwnira...............................................4*

*II.1.2. Ibiziga vyatowe...........................................................................4*

*II1.1.3. Ukunyuruzwa no kubura irengero...............................................6*

*II.2.UGUSHIRANAKO MURI VYOSE........................................................6*

*II.2.1. Ugufata kunguvu..........................................................................6*

*II.2.2. Ayandi mabi afatiye ku gitsina......................................................7*

*II.2.3. Uburenganzira bw'abana...............................................................8*

*II.2.4.Uburenganzirabw'umwidegemvyo...................................................8*

*II.2.4.1. Uguhagarikwa biciye kubiri n'amategeko.....................................8*

*III.UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI N'IMICO KAMA.....................9*

*III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI..........................................................9*

*III.2. IBIDUKIKIJE..................................................................................9*

*III.3.UBURENGANZIRA KU NDERO.........................................................10*

*III.4. UBURENGANZIRA KU MAGARA.......................................................11*

*IV.UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA.....................................................12*

## *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi muri iyi ndwi yo ku wa 6-12 Gitugutu 2025. Muri ico cegeranyo,umuhari Iteka urihweza kandi ivya politike, ubutungane n'intwaro. Urihweza kandi ibintu vyerekana amabi yo ku gateka ka zina muntu hamwe na politike, uburenganzira ku mibano-ubutunzi hamwe n'imico kama utibagiye uburenganzira bw'imigwi canecane uburenganzira bw'abana.

Amabi akorerwa agateka ka zina muntu yabonetse kandi yatohojwe n'umuhari Iteka amezeugukwirikira : n'imiburiburi abantu 5 bishwe bose batowe ibiziga, abantu 4 bafashwe ku nguvu harimwo 1 yafashwe ku nguvu hamwe na 4 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko.

Muri abo harimwo umugore yishwe,abana 3 bafashwe kunguvu hamwe n'abavuga butumwa 4 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko. Umugore 1 yanyurujwe kandi yavuzwe mu cegeranyo co mundwi iheze yaratowe

Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD, abakozi b'igendereza, abapolisi hamwe n'abo mu ntwaro baragirizwa kuba ahanini aribo bagirizwa ayo mabi akorerwa agateka ka zina muntu.

## *I. UMWIHWEZO*

### *I.1. UMWIHWEZO MURI POLITIKE*

***Umumenyeshamakuru yumvirijwe n'ubutungane ku mugaragaro muri komine Ngozi, intara ya Butanyerera***

Mu ntara ya Gitega, komine ya Karusi, haraciye ukwezi, abakuru b'Imbonerakure mu mazone barinjiza urwaruka rw'Imbonerakure kugira baje mu gisirikare c'uBurundi ataguhamagaza ngo hatangwe akazi, nk'uko vyahora. Kubwo icabona caho, uwuserukira Imbonerakure za zone Buhiga yo muri komine Karusi baramubonye ariko arafatanya ifoto kuri karangamuntu ifotoye acaabirungika i Gitega, umugwa mukuru w'intara. Kubwo amakuru, umukuru w'Imbonerakure yari afise izirenga 35. Kubwo amakuru yegereye CNDD-FDD, iryo tangwa ry'akazi riba mu gihugu cose kandi, kiretse karangamuntu ifotoye hamwe n'agafoto, ntazindi mpapuro zisabwa.

Mu ntara ya Butanyerera, muri komine ya Kirundo, gutanga ubuzi ku basirikare bo mu rwego rw'intwaramiheto biba mu buryo budatomoye kandi butaboneka neza. Abakuru b'Imbonerakure mu ma zone bari ku mutwe w'igikorwa co mu kinyegero. Bararondera impapuro z'Imbonerakure za CNDD-FDD bava mu bwoko bw'abahutu mbere bakanakwegerako ku batabikwiye mu kurondera impapuro za magendu zitanzwe n'abayobozi b'amashure atowe kandi beretswe n'abatwara Imbonerakure mu ma zone. Biyandikisha nkuko boba ari aba Tutsi, canke Abatwa, mugihe ari aba Hutu, mu ntumbero yo kuba abahutu benshi mu gisirikare. Twomenyesha ko bamwe mu batanga impapuro z'amagendu, harimwo Katagaruka Vincent hamwe na Nzeyimana Jeremie, bahagaritswe n'igipolisi c'iyahoze ari komine Bugabira kumvo z'amatohoza.

### *I.2. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE*

**Umumenyeshamakuru yumvirijwe n'ubutungane ku mugaragaro muri komine Ngozi, intara ya Butanyerera**

Ku wa 7 Gitugutu 2025, muri sentare nkuru y'iNgozi, komine Ngozi, intara ya Butanyerera, harumvirijwe ku mugaragaro umumenyeshamakuru Muhoza Aline Sandra aho abamwunganira 3 berekanye kenshi ko amategeko atubahirijwe. Abashingwamznza barashikirije ko mugihe sentare y'iyungururizo ikukira Bujumbura yashikirije ko itabishoboye, vyumvikana ko urubanza rwose rwafuswe. Abashingwamanza bashikirije ko ipfungwa ata mutahe canke icegeranyo c'aho yabarijwe bitemewe kandi biciye kubiri n'amategeko. Umushikirizamanza wa Repuburika yagrageragеje kwagiriza Muhoza Aline Sandra, ariko ivyiyumviro binyugwisha z'urundi ruhande vyagondoje umukuru w'intahe kushira urubanza mu mwiherero. Mu gihe c'ukumvirizwa, umuburanyi yarashikirije ko afise icizero kandi yizigiye ko sentare nkuru y'iNgozi izokwihweza idonido ry'urubanza.

**Urubanza rw'ikibiriraho muri komine Rutana, intara ya Burunga**

Ku wa 9 Gitugutu 2025, muri komine Rutana, intara ya Burunga, sentare yo muRutana, mu ntahe y'icese y'uwafatanywe itonga, yahanishije Eric Niyonzima, afise imyaka 38, umunyororo w'imyaka 2, imwagiriza gukora urudandazwa rw'abantu mu gihe yari yafatiwe ku ruzi Malagarazi (ku rubibe rw'uBurundi na Tanzaniya) afise abana 3 bava iKarusi, bafise imyaka idashika 15.

### *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO*

**Uruhagarara rudahera kurubibe rw'uruzi Malagarazi, rugabura uBurundi na Tanzaniya mu ntara ya Burunga**

Haraciye amezi menshi,uruzi Malagarazi rutwara amatongo y'uBurundi, igituma ubutungane bwo mu Rutana bukora bwivuye inyuma kandi budahengeshanya kugira amakenga. Rwarahinduye inzira kuva mu rushana rw'uno mwaka, ruhitana bukebuke amatongo y'uBurundi.

Ababa mu yahoze ari amakomine ya Kibago, Kayogoro na Bukemba bemeza ko uko guhindura inzira k'uruzi vyatumye batakaza imirima myinshi hamwe n'imihana biri ku ruhande rw'uburundi. Bamwe bagiriza aba Tanzaniya gushaka kwihagira amatongo ubu yimukiye ku rundi ruhande.Naho habaye amanama menshi hagati y'abarongozi bo mu Burundi b'intara zo ku rubibe hamwe na bagenzi babo bo muri Tanzaniya, imishamirano iguma ikomeye. Abasirikare b'ibihugu 2, bakwiragijwe kuva mu rushana, baracahari mugabo bakirinda gukozanyako.

Ni muriico cuka kibi sentare nkuru yo muRutana yaciye, kuri uyu wambere kuwa 6 Gitugutu2025, imanza 2 zikomeye, zerekana ubukari bw'ubutungane bw'uBurundi kuri ivyo bintu bibangamiye ukwikukira kw'igihugu hamwe n'umutekano w'igihugu.

Mu rubanza rwa mbere, abantu 15, muribo harimwo abapakira n'abapakurura, baragiriwe no konona urugomero rw'ishirahamwe rihingura isukari SOSUMO rwubatswe ku ruzi Mubarazi.Kubwo urubanza rwaciwe, urugomero rwari rwubatswe na SOSUMO mu ntumbero yo kugarukana uruzi aho rwaca kera, inyuma y'aho amazi yahinduye inzira yatwaye igice c'amatongo kandi akonona imirima y'ibikaju myinshi.

Amatohoza yaseruye ko abagirizwa boba babikoze kw'itegeko ry'abasirikare ba Tanzaniya, inyuma y'inama yo mwibanga yabereye iTanzaniya. Bahanishijwe umwe umwe umunyororo w'imyaka 20 hamwe no kuriha 12.002.000 fbu y'indishi y'akababaro kuri SOSUMO.

*I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO (Ibikurikira urupapuro 2)*

**Amabi ya politike,ubutungane bucumbagira hamwe n'ubwoba mu bapolisi muri komine Musongati intara ya Burunga**

Igiharo, mu ntara ya Burunga, ibitero bigiririrwa abanywa b'umugambwe UPRONA hamwe n'abapolisi bagerageza kuzuriza abantu biragwiriye. Hagati y'amahohoterwa, ukubuza ubutungane gukora hamwe no kunguruzwa gukorera ahandi binuganugwa, ikintu kimwe kiribonekeza : ubwoba no kudahana ubu nivyo biranga ubutungane bwaho. Kubwo amasoko yaho, ni ku wa 2/10/2025 aho Usuel Ntakarutimana, aramutswa UPRONA mu karere, yatewe bukwi na bukwi n'uwufise umupanga mu bunywero bwo muri karatiye. Uwikekwako igitero, Pierre Sahabo, yamuteye n'umupanga wamuhakije kubera, kubwo ivyabona, yagomba amuce umutwe.

« I Giharo, iyo uwutavuga rumwe na Reta ahohotewe, urubanza imisi yose ruhagarara imbere y'uko rushika muri parake, Nayo iyo umupolisi yuhabutse agakakaza, aca ahanwa », binegurwa n'uwuba muri komine.Uwamuteye kandi yaravyemeye imbere y'inyamira mabi, NSABIMANA Deo,yari ajejwe urubanza.Ariko iyo nyamiramabi, aho kwiga ikibazo, yamenyesheje ko abona ko atarufitiye uburenganzira kandi ko azorungika urubanza muri parake yegamiye sentare nkuru yo mu Rutana. Gushika ubu, urubanza ntirurarungikwa, ikiduza imwidogo.

Bamwe bafata ko inyamira mabi yahisemwo kubiheba kugira ntahindurirwa aho akorera, nkuko vyagenze kuri Gilbert Niyonizigiye, iyindi nyamira mabi yahinduriwe aho akorera inyuma yaho yubahukiye gukora ku rubanza rw'ihohoterwa ryagiriwe Theoneste Juma, aramutswa UPRONA muri nya zone nyene. Izo ngorane zizana agashavu karekare mu gipolisi no mu butungane bwaho.Abantu bajejwe itohoza ku mabi arimwo abanywanyi canke abakunzi ba CNDD-FDD basanga bapfunzwe, bungurujwe canke bazibijwe. Ico cuka c'iterabwoba si icavuba.

Muri 2024, komiseri wa komine Giharo, Major de police Japhet Mukeshimana, yari yarishwe n'umupanga mugihe yariko agerageza gukwirikira Imbonerakure banuganga ko zishe umusore ageze mu bigero. Ahanini mubikekwako icaha harimwo, kubwo amasoko yaho meshi, uwurongoye Imbonerakure muri komine, akaba n'umuyobozi w'indero mw'ikomine.

N'aho vyari bikomeye, inyuma y'ikirungo kirenga umwaka, nta wabikoze n'umwe canke uwabitumye yigeze yitaba imbere y'ubutungane, mugihe urubanza rwari gucibwa ikibiriraho. Kubwo abahaba benshi, uko gukweguka ku butungane kwemeza ko abantu bamwe bamwe barengeye amategeko.

Ababa iGiharo basigura ko abakorerwa amabi kenshi baba ari abatavuga rumwe na Reta canke abanyagihugu banegura kandi ko abakora amabi bakingirwa. Bongerako ko abapolisi bintungane barahindurirwa aho bakora, baraterwa ubwoba canke bakicwa kandi ko imanza zitigera zishikira parake. Uwuharanira agateka ka zina muntu waho aribaza ko ubutungane budakwirikiza itegeko canke bukwirikira ubwoba.Kubw'iwe, « Mugihe ukuri kubabaza abakomeye, kuguma kunyegejwe mu bubati bwa komisariya. »

Muri uwo mwanya, Usuel Ntakirutimana be n'umuryango wiwe bari mu kababaro.Abahaba bashikiriza ko uwikekwako kumuhohotera atembera ataco yinona mugihe ukwibuka komiseri Japhet Mukeshimana bihahamura imitima. Kubwo abantu baho,hari abantu 2, hakaba ingero 2 ku kibazo kimwe : « Ni gushika ryari ubutungane bw'uburundi buzokwihanganira ko umupanga usubirira itegeko ? ».

### *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO (Ibikurikira urupapuro 3)*

**Ubunenge mw'itangwa ry'imbuto z'ibigori muri komine Musongati, intara Burunga**

Ku wa 10 Gitugutu 2025, ku mugwa mukuru y'iyahoze ari komine Giharo, muri komine Musongati, intara Burunga, CyriaqueKomezurugendo, atwara umugambwe CNDD-FDD muri zone Butezi,yarahatswe kwiba imbuto z'ibigori PANA 53 zatanzwe na Reta y'uBurundi.

Kubwo amasoko yaho,Cyriaque komezurugendo, afashanije na Sylvain Nzikoruriho, arongoye umugambwe CNDD-FDD mu ntara ya Burunga na Renovat Hakizimana, arongoye umugambwe CNDD-FDD muri komine Musongati kandi aherutse gutorwa nk'umushingamateka wo muri komine Musongati, bategetse uburongozi bwa komine Musongati guha ubushobozi abatwara umugambwe CNDD-FDD bwo gutanga imbuto. Uko niko Cyriaque Komezurugendo yaciye atora izo mbuto hanyuma, mu matoni yahawe iyahoze ari komine Giharo, yivye ibiro 80 vy'ibigori.

Kubwo ayo masoko nyene, igihe c'igabura, musitanteri wa komine Musongati kamwe n'abo barikumwe baje kugaburira imbuto abanyagihugu, Cyriaque Komezurugendo yavuze ko ivyo yabonye bitangana n'ivyo yarose.

Inyuma y'ubwo butumwa, musitanteri wa komine Musongati yavuze ko nawenyene yabonye ko ivyo yarose bitangana n'ivyo yatanze kandi yemeza ko atawundi muntu n'umwe yobazwa ivyabuzwe. Inyuma y'ivyo, Renovat Hakizimana yari ngaho ari kumwe n'abahanuzi ba musitanteri, yafashe ingingo yo gukumira abajejwe indimo hamwe n'abandi bari bahari, ngo baveho kugira bahagume hagati yabo bashobore gusaka neza.

Inyuma y'ikiyago, Cyriaque Komezurugendo yarasubije ivyo biro 80 vy'ibigori imbere ya musitanteri wa Musongati kandi baciye babisubiza mu bubiko bizohabwe abanyagihugu.

Ikindi cabonetse n'uko imbuto z'ibigori PANA 53 zatanzwe ku banywanyi b'umugambwe CNDD-FDD gusa. Abanywanyi b'iyindi migambwe batarose imbuto. Uwashobora kuronka iyo mbuto atari mu mugambwe CNDD-FDD yayiguze 30.000fbu ku kiro, ni ukuvuga agafuko k'ibiro 2 kuri 60.000fbu.

Kuri ubwo, ababa muri iyo komine basaba umushikiranganji w'uburimyi n'ubworozi guha ububasha abakozi bo mu bushikiranganji aho kubuha abarongoye umugambwe umwe, kubera igihugu si ico umugambwe uri ku butegetsi gusa, ariko ni ico abanyagihugu bose.

## *II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*

### *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

**II.1.1. Ubwicanyi buteguwe**

**II.1.1.1. Ibiziga vyatowe**

**Ikiziga c'umugore akiri muto catowe caciwe umutwe iMutambara muri komine Rumonge, intara ya Burunga**

Ikiziga ca Evelyne Mukamariza, afise imyaka 20, caratowe ku wa 7 Gitugutu 2025 munzu, ku mutumba Mutambara, muri komine Rumonge, intara ya Burunga. Uwo yishwe yoba yaraciwe umutwe. Abanyagihugu bo ku mutumba Mutambara, uri muri zone gatete, komine Rumonge, baguye mu kajembegete.

Ku bwo ivyambere batororokanirijwe ho, uwo muhisi yoba yaraciwe umuywe. Ikiziga ciwe catowe cugaraniwe munzu yiwe, mu gace kitwa Mujimwema, akarere ahanini kuzuye imiryango y'abahungutse bava iTanzaniya.

**II.1.1.1. Ibiziga vyatowe (Ibikurikira urupapuro 4)**

Ntanumwe arahagarikwa, ariko umugabo w'uwishwe ubu ariko araronderwa, kubwo amasoko yo mu gipolisi hamwe n'ayo mu ntwaro yaho. Abo bubakanye baheruka kuza kuba iMutambara, bavuye muri zone Mudende, mu yahoze ari komine Buyengero, iheruka kuba zone itwarwa muri komine Rumonge inyuma y'indinganizo nshasha y'intwaro.

Ababanyi b'umuhisi bavuga ko abo bubakanye bari babanye nabi, n'amatati y'urutavanako yabonetse mu misi yanyuma. Uwo yishwe yakora munzu y'ubudandarizo yaho, yari hafi y'imuhira iwe. « Nti bari babanye neza, kandi ivyo vyanatera amakenga ababanyi », bishingwa intahe n'uwuba ho atashatse ku menyekana. Ubwo bwicanyi bushasha buraserura kandi ukuntu abagore bakarirwa n'amabi yo mungo hamwe n'uko ari nkenerwa ko abarongozi bokomeza gukingira abanyagihugu mu ma zone yo mu gihugu hagati.

**Ibiziga 2 vyatowe ku Ndava n'iBuganda, komine Cibitoke, intara ya Bujumbura**

Mu gatondo ko ku wa 7 Gitugutu 2025, ibiziga vy'abagabo 2 vyaratowe ku mitumba ya Ndava na Ruhagarika, mu ma zone ya Ndava na Buganda, komine Bukinanyana, intara ya Bujumbura.

Kubwo amakuru yatororokanijweho, uwishwe ubwambere, yamenyekanye kw'izina rya Roti, avuka ku Ndava-Kigwati, yari yavuye muhira bukeye bwaho agiye kugurisha impene, ivyoba vyamuhaye amahera angana na 450.000. Munzira agarutse, yoba yarahagaze mu bunywero.

Ivyabona vyemeza ko kumugoroba, abanywanyi b'Imbonerakure, umuhari w'urwaruka rw'umugambwe uri ku butegetsi, bari muri nya bunywero,boba batanguye kumukubita vyinguvu baca bamwiba amahera yari afise.

Zibonye ko yakomeretse cane, Imbonerakure zoba zamujanye ku kirindiro c'igipolisi c'aho. Abapolisi boba kuri ubwo barase kumwakira, bategeka izo nkozi zikibi kumutwara ku bitaro. Abo nabo boba bahisemwo kumuta mu ruzi Kagunuzi. Ikiziga ciwe catowe bukeye bwaho mu gitondo, yatwawe n'amazi hafi y'uruzi Rusizi.

Abanyagihugu baho, bababaye kandi bashavuye, basavye ko abakoze iryobara bomenyekana kandi bagahanwa. Ikiziga c'umuhisi cari gifise ibikomere vyinshi ku mutwe, bigatuma biyumvira ko yakubiswe cane n'inkoni. Abarongozi bo muntwaro bategetse gutwara ikziga mu buruhukiro, kugira barabe icamwishe hongere hugururwe itohoza.

Ikiziga cakabiri catowe kuri uwo musi nyene ku nkengera y'uruzi Muhira. Umugabo, atamenyekanye, yari afise ibiganza bifatanijwe n'ishati yiwe. Abantu baciye bamuhamba ubwo nyene, babuze amakuru ku mwidondoro wiwe.

Ababa ku nkengera bahamagarira indongozi kwerekana umuco kuri ubwo bwicanyi hamwe no kuvavanura no kudahana abagirizwa amabi nk'ayo. Ku ruhande rwaco, igipolisi hamwe n'abarongozi bamenyesheje iyugurura ry'itohoza mu ntumbero yo kumenya ababikoze bongere babahane.

**Ikiziga caratowe muri komine Cibitoke, intara ya Bujumbura**

Ku wa 8 Gitugutu 2025, mu ruzi Gitenge kiri ku mutumba Ndava, komine Cibitoke, intara ya Bujumbura, ikiziga ca Albert Bucumi, afise imyaka 43, caratowe muri urwo ruzi, hafi y 'aho rwisukira muri Rusizi, Kubwo ibitabona vyaho, uwo yatowe yavuka ku mutumba Kibuye kandi yaba ku mutumba na zone Ndava, komine Cibitoke, nta myaka 2 irakwira. Albert Bucumi yari yabuzwe irengero mw'ijoro ryo ku wa 5 Gitugutu 2025. Ababonye ico kiziga ubwambere bavuga ko uwo mugabo yanizwe abanje gucekurwa.

### II.1.1.1. Ibiziga vyatowe (Ibikurikira urupapuro 5)

**Ikiziga c'umugabo catowe muri komine Rumonge, intara ya Burunga**

Ku wa 9 Gitugutu2025, ikiziga c'umusore, ataramenyekana, caratowe ku mutumba Mwange, zone Kizuka, komine Rumonge, intara ya Burunga. Kubwo umukuru w'umutumba Mwange hamwe n'ivyabona vyinshi vyari bihari, uburyo yapfuyemwo umuntu yokwibaza ko yishwe. Uwo yishwe yoba yiciwe mu mwaba w'uruzi Dama imbere y'uko ikiziga ciwe gitwarwa kigatabwa mu muserege uri ku nkengera y'ibarabara. Amaboko y'uwishwe yari afatanijwe n'umugozi, ibikomeza kwemera ko ari ubwicanyi bwateguwe. Nta n'umwe yikekwako icaha aramenyekana canke ngo afatwe gushika ubu.

Intwazangabo mu gipolisi c'inyamiramabi yarishikiyeho kugira abibone. Kubwo igipolisi gicunga umutekano mu Rumonge, ikiziga carajanywe mu buruhukiro bw'ibitaro vyo mu Rumonge. Itohoza ry'ubutungane ryaruguruwe kugira hamenyekane abakoze iryo bara. Ako kabi gashasha kabaye mu gihe ikomine ya Rumonge iriko ihura n'ivyago vy'urukwirikirane biteye amakenga. Nta misi ibiri yari bwahace ku wa kabiri 7/10/2025, ikiziga caciwe umutwe c'umugore afise mu myaka 20 cari catowe ku mutumba Mutambara, muri zone Gatete, tukiri muri komine Rumonge. Ku biziga 2 bitowe musi y'amasaha 48, umutekano muri ako karere k'intara ya Burunga uteye amakenga. Ababa ku mitumba Mwange na Mutabara batera akamo abarongozi bongera babasaba gukomeza ubuhinga bwo gucunga umutekano vyihuta.

### II.1.2. Kunyuruzwa hamwe no kuburwa irengero

**Umugore yanyurujwemunyuma agatorwa muri komine Cankuzo,intara ya Buhumuza**

Kuva ku wa 1 Gitugutu 2025, umugore afise imyaka 43, yitwa Henriette Bayubahe, umugore wa Jonas Ruzuba, umwigisha w'ishure shingiro Camazi II, yaranyurujwe.

Kuva kuyu wa 1Gitugutu 2025, hafi isaha 12, Henriette Bayubahe yarasohotse kandi ntiyagarutse. Gushika ku wa 5 Gitugutu 2025, umuryangowiwe ntamakuru yiwe ufise. Uwo mugore ni nyina w'abana 5 kandi aba ku mutumba na zone Camazi, komine Gisagara, intara ya Buhumuza.

***M.N: Henriette Bayubahe yagarutse muhira, hafi isaha 2 z'ijoro, ku wa 7 Gitugutu 2025. Ku rukoba afise amagara meza, ntiyashatse kuvuga aho yari ari indwi yose. Ivyo vyari vyiganywe mu cegeranyo Iteka n'Ijambo giheruka kigira 494.***

## *II.2. UKUBAHANA MURI VYOSE*

### II.2.1. Gufata ku nguvu

**Agakobwa kafashwe kunguvu muri komine Rumonge,intara ya Burunga**

Ku mugoroba wo ku wa 5 Gitugutu 2025, ku mutumba Mutambara, zone na komine Rumonge, intara ya Burunga, H.M., afise imyaka 10 kandi avuka kuri ako gatumba nyene, yarafashwe ku nguvu na Leonidas Minani afise imyaka 40, umunywanyi w'umugambwe CNDD-FDD.

Kubwo amasoko yaho, uwikekwako icaha yoba yatwaye agakobwa munzu iwe imbere yo gukora ibara, ku terabwoba rikomeye. Ahejeje, yoba yarasohotse kuraba hirya no hino, arekeye agakobwa munzu. Ni mugihe ababanyi, biketse ko hari ibitagenda neza, binyegeje kugira babirabe.

Baciye babona agakoba gasohotse munzu. Ababanyi baciye bahagarika uwikekwako icaha baca bamutwara ku kirindiro c'abapolisi cegereye. Uwo rero yaciye arungikwa mw'ibohero rya komisariya ya polisi mu Rumonge.

**II.2.1. Gufata ku nguvu (Ibikurikira urupapuro 6)**

Kuvyerekeye agakobwa, karajanywe ku kigo humura kugira gakingirwe ingwara. Urubanza rw'ikibiriraho rwategerezwa kubaho inyuma y'umutaga kuri uyu wa gatatu, ariko rwungururijwe ku wa 15 Gitugutu 2025, uwagirizwa akaba yarashikirije ko yari afise icabona.

**Umwana yafashwe ku nguvuku mutumba Rugembe, komine Mugere, intara ya Bujumbura**

Ku wa 8 Gitugutu 2025, hafi igihe c'isaha 4, ku mutumba Rugembe wo muri komine Mugere, intara ya Bujumbura, Alexis Bizimana, afise imyaka 26, yarafashe ku nguvu umwana N.N.B, afise imyaka 12.

Uwikekwako icaha yikitse mukiza abavyeyi atariho bari kugira yonone umwana yari inyuma y'inzu. Uwagize ingorane yararose ubufasha bukenewe ku bitaro vya Kabezi, mugihe Alexis Bizimana yashizwe mw'ibohero rya komine Mugere, mu kurindira inzira z'ubutungane.

**Umwana yafashwe ku nguvu ku mutumba Sororezo, komine kanyosha,intara ya Bujumbura**

Ku wa 10 Gitugutu 2025, ku mutumba Sororezo, komine kanyosha, intara ya Bujumbura, umwana I.L.D afise imyaka 10 akaba umunyeshure mu mwaka wa 2 kw'ishure shingiro Sororezo, yarafashwe kunguvu.

Uwikekwako icaha ni Minani Philibert, afise imyaka 42. Uwo yabikoze yasanze umwana aho yariko arasenya inkwi mu murima. Yaramuhamagaye ngo amuhe inkwi imbere yo kumufata ku nguvu. Uwagize ivyago yararose ubufasha bw'ubuvuzi bukenewe ubwo nyene ku kigo c'ubuvuzi Sororezo. Uwikekwako icaha ubu abohewe mw'ibohero ryo mu Kabezi, mu kurindira inzira z'ubutungane.

**II.2.2. Ayandi mabi afatiye ku gitsina**

**Amabi yo munzu muri komine Butihinda intara ya Buhumuza**

Ku wa 1/10/2025, ku mutumba Masaka,zone Kamaramagambo ya komine Butihinda, intara ya Buhumuza, umugwi w'abantu harimwo Jean Ntahonsohokera (umugabo w'uwagize ivyago), Kamikazi Leaticia hamwe n'abana babo na Minani Josephine n'abahungu babo, bafise imipanga, inkoni hamwe n'ubuhiri warateye wongera urakomeretsa Isabelle Nkurunziza hamwe n'umuhungu wiwe Gordien Sindahabaye. Kubwo amasoko yaho, Isabelle Nkurunziza yaratawe n'umugabo wiwe kubera uwo yataye umuryango kugira abane biciye kubiri n'amategeko n'umuhabara wiwe. Umuhungu wiwe, Sindaharaye Gordien yaragerageje kumutabara biba impfagusa. Bose uko ari 2 barakomerekejwe biteye ubwoba n'imipanga hamwe n'inkoni.

Abo bantu barashigikiwe n'umukuru w'umutumba hamwe n'uwutwara sentare nkuru ya Butihinda umupfasoni Liliane, kandi inyamiramabi ya zone Kamara kubera igiturire baronka igihe cose umuryango ubangamiwe witwaye Mugihe itegeko ritomora ko uguharika ari icaha kandi ko umuhabara ategerezwa kwirukanwa ubwonyene kubera ariwe atera uwo mutekano muke. Uburongozi hamwe n'ubutungane barabirimwo kandi bashigikiye inyifato ya Jean Ntahonsohokera. Umuryango wa Isabelle Nkurunziza usaba ko ubutungane bwokora, ko abakoze icaga bahanwa cane kandi ko umuhabara ahanwa hakwirikijwe itegeko kugira umugore yemewe n'amategeko agira uburenganzira kw'itongo kubera itongo ry'umuryango ryose rurimwa n'uwo muhabara.

### II.2.3. Uburenganzira bw'abana

**Ugufata nabi abana ku Muyange II, komine Mutimbuzi intara ya Bujumbura**

Ku wa 8 Gitugutu 2025, hafi isaha 3, ku mutumba Muyange II, zone Gatumba, komine Mutimbuzi, intara ya Bujumbura, umwana muto Irambona Anny Tania, afise imyaka 11 akaba umunyeshure mu mwaka wa 3 w'ishure shingiro Gatumba I, yarakomerekejwe na nyina wiwe, Marie Ntahimpera Claire.

Ibara ryaguye igihe yari ataye amahera 5000fbu yari agenewe kugura agatabu k'ishure. Kubera ico, umuvyeyi yafashe ukuboko kw'iburyo kw'umukobwa wiwe aca agushira mu muriro, amukomeretsa bikomeye.

Uwikekwako icaha yarahagaritswe kandi ubu apfungiwe mw'ibohero ry'igipolisi co mu Gatumba. Uwagize ivyago, Irambona Anny Tania, akeneye gufashwa n'abaganga vyihuta kubera yakomeretse cane.

### II.2.4. Uburenganzira bw'umwidegemvyo

#### II.2.4.1. Uguhagarikwa biciye kubiri n'amategeko

**Abavuga butumwa 3bahagaritswe muri komine Nyanza intara Burunga**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 8/10/2025 ivuga ko ku wa 4/10/2025, abavugabutumwa Bizimana Thierry, Bigirimana Zabulon na Harushimana Gedeon barahagaritswe n'abapolisi. Kubwo ivyabona, amatati hagati y'ababwiriza hamwe n'abapasitori bo mw'ishengero pentekoti, haciye imisi bigabuye mu bice bibiri ico iKiremba hamwe n'ico mu Kayogoro inyuma y'aho hapfiriye umubwiriza mukuru Ndikunkiko Elie, bita kandi umubwiriza yitanga, rugeze aho umwasi ashaka.

Kuri uyu w'imana,umugwi w'abavuga butumwa 3 bo mu bubwiriza bwa Kiremba, bukukira Cunamwe ku mutumba Mugina, aho abayoboke bafukamye kw'ihema riri ku kibanza c'ishengero rya pentekoti ry'iKiremba, barahagaritswe hafi igihe c'isaha 1 n'iminuta 15 n'umugwi w'abapolisi kw'itegeko rya komiseri wa komine w'igipolisi mu Mabanda. Abavugabutumwa barajanywe ahakorera inyamiramabi Fabrice kumvo z'amatohoza.

Ubwo nyene, komiseri yabamenyesheje ko aho hantu hegukira ishengero rya pentekoti ryo mu Kayogoro kandi ko batari bafise uburenganzira rwo kuhakorera ibikorwa vyabo vy'ubutumwa, naho berekana impapuro zo muntwaro zemewe n'amategeko. Umugwi mutoya w'abayoboke warabaherekeje gushika mw'ibohero imbere y'uko bashika iwabo hafi igihe c'isaha 12.

Bukeye bwaho, abakozi b'igendereza rya komine Nyanza baragiye mw'ibohero kugira bamenye uko bimeze. Munyuma, uwundi mugwi w'abayoboke urongowe na Pasitori Pierre, wo bubwiriza bwa Kiremba, wazindutse muri komisariya kugira bavugane n'inyamiramabi, yemeye kurekura abavugabutumwa kandi abarekurira gusubira gukora ibikorwa vyabo vyo gusenga atankomanzi.

Ibintu nk'ivyo vyarashitse ku mutumba Muyama, zone Buhema,aho amareresi bafashe yamamaye ku mbuga ngurukana bumenyi yerekana ibintu vy'urudubi birangwa n'iterabwoba hanwe n'uruhagarara hagati y'abayoboke ba Kiremba hamwe n'abo mu bubwiriza bwo mu Kayogoro.

Igipolisi kandi carahagaritse umuvugabutumwa Jean Bosco, yaraye mw'ibohero rya komisariya yo mu Kayogoro kuwa 4 Gitugutu 2025. Asohotse, ku musi wambere ku wa 5 Gitugutu 2025, yararose ubutumwa bwo gusubira ku mirimo y'ubutumwa, bahejeje urwubako rw'isengero yabo n'amatafari, umushinge ukaba uja waraheze, kugira bagwanye gukoresha amahema.

Kubwo amasoko amwe amwe, amacakubiri yabonetse mw'ishengero akomoka ku budasa bw'amoko, politike hamwe n'ubutunzi, bwatangujwe n'abarongozi bamwe bamwe bo mu bubwiriza bwo mu Kayogoro, muribo harimwo ababwiriza bakuru b'ishengero rya

**II.2.4.1. Uguhagarikwa biciye kubiri n'amategeko (Ibikurikira urupapuro 8)**

pentekoti ry'iNyanza-Lac, bose uko ari 2 bavuka muri zone Vugizo kandi b'abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD. Abo rero boba barase kwumvikana n'ababwiriza bakuru ba Kiremba, bagiriza ko bavuye mu vyiyumviro vy'abahoze ari abarongozi umubwiza Madendo n'umubwiriza Ndikunkiko Elie.

## *III. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI HAMWE N'IMICO KAMA*

### *III.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

**Gukena imbuto z'ibigori hamwe no kuzizimbako:abarimyi bafise ingorane ikomeye mu ntara ya Bujumbura**

N'aho hari akigoro ka Reta ko gutanga imbuto z'ibigori, igice c'irima co muri Nyakanga-Kigarama gitanguye kigoye uko bitahora ku barimyi bo mu ma komine ya Mugina, Bukinanyana na Cibitoke.

Ibiciro bizwi vy'i kiro c'imbuto z'ibigori vyari vyarashizwe kuri 4500fbu. Ariko rero, abarimyi babona bategerezwa ku bigura ku biciro vyo hejuru cane, bihinduka hagati ya 15.000 na 20.000 fbu ku kiro.

Iryo duga ry'ibiciro hamwe no gusubira kugurisha mu magenduimbuto zo mubwoko bwa panar 53 hamwe na Bazooka biva ku gushaka kunguka umurengera vyateguwe. Icegeranyo kiragiriza igice c'abatware baho batwara amazone, abatwara imitumba, abatwara uburimyi mu makomine no mu mazone, hamwe n'abigisha b'indimo bagirizwa kuba aribo bagira ubwo busuma.

Abo baserukizi, bose bakomoka muri CNDD -FDD, boba bagize intonde z'abatabaho canke borohereje abaronka imbuto bakomoka muri uwo mugambwe kugira banyuruze imbuto zatanzwe.

Bamaze kuzitanga,izo mbuto zaragurishijwe mu mazu y'ubudandarizo yaho ku biciro igice kinini cane abanyagihugu batoshobora kuronka.

Mu bukene bwokora amakra bugata, abarimyi benshi ubu batera baheba imbuto zitangwa kandi bagaruka ku mbuto kama, zitanga umwimbu uri hasi cane.

Ibintu vyunyuwe n'ingorane zo gushikira umwavu ukorwa n'uruganda FOMI. Kiretse ko igiciro ari kinini, umwavu barishe imbere ubashikira kenshi na kenshi waratevye cane. Ivyo bituma abarimyi bagura umwavu ku masoko yigenga ku biciro vy'umurengera bitarekuwe n'amategeko, iyo bashatse gutera kare.

Ivyo vyose bituma igice kinini c'abanyagihugu b'abarundi bagumana inzara n'ubukene budahera.

### *III.2. IBIDUKIKIJE*

**Imvu y'isegenya muri komine Karusi (intara ya Gitega) hamwe no mu ntara ya Butanyerera**

Ku wa 7 Gitugutu2025, imvura y'isegenya yaraguye cane muri zone Buhiga, komine Karusi, intara ya Gitega. Amazu arenga 20 yarasambutse ku mutumba Magamba, hamwe n'ibirase vy'ishure shingiro Magamba.

Umuyaga w'igihuhusi waraguruye ibisakazo mugihe abanyeshuri bari ariyo bakiri. Umwana umwe yarakomeretse aca ajanwa ku bitaro vy'iKarusi (Hopital du Cinquantenaire) kugira avurwe.

Ibikoresho vy'ishure hamwen'udutabu tw'abanyeshure vyarononekaye cane. Urubura narwonyene rwaratabagaje imirima iheherereye, rusiha imiryango myinshi mu gahinda.

Kubwo abavyeyi b'abanyeshure, ishure ikukira katorika, umusaseredoti arongoye paruwase Buhiga yaremeye gutanga amabati yo gusanura ivyo birase vyononekaye.

### *III.2. IBIDUKIKIJE (Ibikurikira urupapuro 9)*

Kurundi ruhande,ku wa 3 Gitugutu 2025, mu mitumba 10 y'iyahoze ari komine Magarama, mu ntara ya Butanyerera, imvura yisegenya irimwo imiyaga y'igihuhusi vyarakoze amarorerwa.

Kubwo amakuru dukurayo,amazu arenga 20 yarasambutse kandi ihegitari hafi 200 z'imirima y'ikawa, ibiharage, umuceri, ibiti vy'amavoka hamwe n'ibindi biterwa mbumba rugo vyarononekaye. Abakwirikirana ivy'indimo hamwe n'abatware baho bemeza ko uruhombo ari runini caane.

### *III.3. UBURENGANZIRA KU NDERO*

**Imyidogo y'abaharanira agateka k'abana iBururi kubona abanyeshure baja gusanganira urumuri rw'amahoro mu ntara ya Burunga**

Ku wa 6 Gitugutu 2025, ku rubibe hagati y'umutumba Murambi wo muri komine Rumonge hamwe na Kiganda wo muri komine Bururi, abanyeshure benshi bo mu mashure yisumbuye bambaye umwambaro w'ishure shingiro Kajabure (komine Bururi) barategetswe kuva igihe c'isaha 2 zo mu gitondogushika isaha 6 kurindirira umuzo w'urumuri rw'amahoro, barikumwe na bamwe mu bigisha babo.

IBururi, abanyeshure b'ishure rikuru rya komine Bururi nabonyene barahuriye mu mahwane y'amabarabara mu gisagara, aho urumuri rwaciye hafi igihe c'isaha zi 5 n'iminuta 50. Ku mutumba Muzima, muri iyo komine nyene, abandi banyeshure baritavye ibikorwa rusangi bijanye no kubaka ikiraro ku ruzi Siguvyaye, gifatanya imitumba Muzima na Rushemeza.

Iyindi migwi y'abanyeshure, nabo nyene bambaye umwambaro w'ishure, barabonetse ku kiraro Jiji, kw'ibarabara ry'igihugu 16, ku rubibe rugabura amakomine ya Bururi na Matana (intara ya Burunga). Ni aho hantu musitanteri wa komine Bururi, umupfasoni Godelieve Ntakirutimana, yahaye urumuri rw'amahoro umupfasoni Gloriose Niyubahwe, musitanteri wa komine Matana.

Kubwo ivyabona vyinshi, abo banyeshure bamaze umusi wose batize ivyirwa mw'ishure.

Abaharanira agateka k'abana hamwe n'abavyeyi bamwebamwe b'abanyeshure baranegura ivyo bintu, bafata ko bihungabanya agateka k'indero. Ntibatahura igituma abana boshwangamurwa kubikorwa nk'ivyo habanje kuburabuzwa amasaha y'ivyirwa. Basaba abatware ko boshira imbere ihimirizwa ry'abakuze hamwe n'abasigaye b'abanyagihugu, aho gushira mu birori bizwi abanyeshure bafise imyaka yo kwiga.

**Uruhagarara kuvyerekeye kwambara amashapule kw'ishure shingiro Cuzwe, komine Cibitoke, intara ya Bujumbura**

Ku wa 6 Gitugutu 2025, ku rubibe hagati y'umutumba Murambi wo muri komine Rumonge hamwe na Kiganda wo muri komine Bururi, abanyeshure benshi bo mu mashure yisumbuye bambaye umwambaro w'ishure shingiro Kajabure (komine Bururi) barategetswe kuva igihe c'isaha 2 zo mu gitondogushika isaha 6 kurindirira umuzo w'urumuri rw'amahoro, barikumwe na bamwe mu bigisha babo.

IBururi, abanyeshure b'ishure rikuru rya komine Bururi nabonyene barahuriye mu mahwane y'amabarabara mu gisagara, aho urumuri rwaciye hafi igihe c'isaha zi 5 n'iminuta 50. Ku mutumba Muzima, muri iyo komine nyene, abandi banyeshure baritavye ibikorwa rusangi bijanye no kubaka ikiraro ku ruzi Siguvyaye, gifatanya imitumba Muzima na Rushemeza.

Iyindi migwi y'abanyeshure, nabo nyene bambaye umwambaro w'ishure, barabonetse ku kiraro Jiji, kw'ibarabara ry'igihugu 16, ku rubibe rugabura amakomine ya Bururi na Matana (intara ya Burunga). Ni aho hantu musitanteri wa komine Bururi, umupfasoni Godelieve Ntakirutimana, yahaye urumuri rw'amahoro umupfasoni Gloriose Niyubahwe, musitanteri wa komine Matana.

## *III.3. UBURENGANZIRA KU NDERO (Ibikurikira urupapuro 10)*

Kubwo ivyabona vyinshi, abo banyeshure bamaze umusi wose batize ivyirwa mw'ishure. Abaharanira agateka k'abana hamwe n'abavyeyi bamwebamwe b'abanyeshure baranegura ivyo bintu, bafata ko bihungabanya agateka k'indero. Ntibatahura igituma abana boshwangamurwa kubikorwa nk'ivyo habanje kuburabuzwa amasaha y'ivyirwa. Basaba abatware ko boshira imbere ihimirizwa ry'abakuze hamwe n'abasigaye b'abanyagihugu, aho gushira mu birori bizwi abanyeshure bafise imyaka yo kwiga.

**Uruhagarara kuvyerekeye kwambara amashapule kw'ishure shingiro Cuzwe, komine Cibitoke, intara ya Bujumbura**

Uruhagarara ruboneka rwaradutse kw'ishure shingiro Cunzwe, muri zone Kiramira, komine Cibitoke,intara ya Bujumbura, inyuma y'ingorane yahuje ubuyobozi bw'ishure n'abanyeshure bemera katorika. Ishure, ryegukiye ishengero rya pantekoti, ubu rikikujwe n'impari ijanye n'uburenganzira bw'ukwemera.

Kubwo ivyabona, ibintu vyabaye ku musi wa 3 ku wa 8 Gitugutu2025.Kuri uwo musi, Desire Barabesha, yoba yaragenzuye abanyeshure kugira arabe abintu bambara. Abonye ko ko bamwe bambaye amashapure, ikimenyetso c'ukwemera muri katorika, yoba yarabatse ayo mashapure arayabika imbere yo kuyacagaguramwo ibimanyu. Abanyeshure base kuvyemera boba barirukanywe mw'ishure.

Ico kintu cabonywe n'abavyeyi benshi hamwe n'abantu bahaba nk'igikorwa co kutihanganiranira mu kwemera. Bamwe babonamwo ikumirwa rikorerwa abana b'aba katorika, mw'ishure ryegukira irindi shengero ry'abakirisu.

Abavyeyi b'abanyeshure barigoye kuva bukeye bwaho mu gatondo baja kw'ishure kugira babaze insiguro kw'iyirukanwa ry'abana babo. Aremeza ko atangorane nimwe ijanye n'idini yigeze ivugwa kuva iryo shure ribaho, haciye imyaka 13. Batera akamo ubuyobozi ko « boreka abana bakiga mu mahoro » kandi ko batobavangira mu mw'idegemvyo w'ukwemera.

Kubera iduga ry'uruhagarara, Jeremie Sibomana, umuyobozi w'indero muri komine Cibitoke, yarahumurije abavyeyi. Yamenyesheje ko ari mukugirisha inama yihuta igamije gusigura neza amategeko agenga ishure kuri ico kibaraje ishinga. Ku rundi ruhande yarategetse umuyobozi w'ishure kwihanganiranira, mu kureka abanyeshure bakambara amashapure yabo bayanyegeje, musi y'amashati, ashikiriza ko ata kintu nakimwe c'ivy'Imana cambawe mu rupfasoni categerezwa konona ivy'ishure.

## *III.4.UBURENGANZIRA KU MAGARA*

**Akaranda ka chorera katavuzwe hamwe n'itaangwa nabi ry'amazi muri komine Ruyigi intara ya Buhumuza**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka ku wa 11 Gitugutu 2025 ivuga kw'igwirirana riteye amakenga ry'abacibwamwo n'abadahwa ku bitaro vya Ruyigi, muri komine Ruyigi, intara ya Buhumuza.

Kubwo intahe nyinshi,abarwayi benshi, abana n'abakuze, ubu bari mubitaro kubera ivyo bimenyetso.

Abakozi bo mu gisata c'ubuvuzi kuri ivyo bitaro baravyemeza, bakanemeza ko atari ibintu birenze urugero. Barashigikiye ko atari amacinya, ariko ari ubucafu bushobora kuva mu mfungurwa bikaba bikunda gushika muri Gitugutu na Munyonyo.

Ariko rero, abandi bantu bo muri komine bafata ko ari korera idaseswa, bavuga ko iva kw'ibura ry'amazi meza mu ma karatiye menshi.

Abo bantu bavuga kandi itangwa ribi ry'amazi muri komine : kubwabo, amakaratiye abamwo abatavuga rumwe n'umugambwe CNDD-FDD bama babura amazi,mugihe amazone abayabamwo benshi muribo ari aba CNDD-FDD boba baronka amazi badahengeshanya.

## IV. UGUSOZERA HAMWE N'INKEBUZO

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma ukuntu agateka ka zina muntu mu Burundi kandi riratera ivyatsi ukudahana abagirizwa amabi.Usaba abarongozi b'uBurundi gufata ingingo zose zishoboka kandi rihimiriza ibikurikira :

**Kuri Reta y'uBurundi ko :**

- Yokingira amateka shingiro ikongera ikarandurana n'imizi amabi akorwa n'Imbonerakure.

- Kwemeza kandi biboneka uburenganzira shingiro ku mwidegemvyo mu madini hamwe no gusenga kubantu bose,harimwo abanyeshure.

- Gutegura no gukwiragiza vyihuta amategeko atomoye kandi y'igihugu kuvyo kwambara kw'ishure ibimenyetso vy'amadini binyegeje kw'ishure mu kuzana uburinganire hagati y'urutonde hamwe no kwubaha ukwemera kuri umwe wese.

- Gushiraho intonde zo guhimiriza hamwe no kwigisha abayobozi b'amashure hamwe n'abigisha ku vyo kwihanganiranira muvyo amadini,gutunganya mu butandukane bw'ukwemera hamwe no kudakumira mu bibanza vy'isomero.